AGATWENGO

Psaume 126

BIGIRIMANA Oswald

2.Twese twari twarazimiye umwansi yari yaratuganje ukuboko kw'Umukama nikwo kwadukuye mu minwe yiwe
Imana yacu nyaguhoraho niyo yadukorey'ivyo vyose ubukiriro bwacu tubukesh'izina ry'Imana
3.Niwe yazuye Lazaro na wa mwigeme wa Yayilo niwe yakijije impumyi azibura amatwi y'ibitumva
Yaramuguruye abamugaye akiza abari bihebuye kand'ahaciye hose yagenda arakor'ineza
4.Niwe yitanze ku musalaba adukiz'ibicumuro vyacu yarapfuy'arazuka adukura mu buja bwa shetani
Ntiyaharuy'akabi kacu ariko yatugiriye neza uburar'uburamuko ivyo vyose niwe tubikesha
5.Yaaj'iwac'arabohoora abari mu ngoyi za shetani abasubiz'ubuzima ehe bigina nk'abana b'Imana
Natw'uyu musi yadukijije niho twuzuy'akanyamuneza Umukama ni Muzima niw'aganje mu myaka n'imyaka.